
# Bibiliya y'Abana

Ishikirije



# Dawidi Umwungere Mutoyi


Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique



Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org



©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.




Kera, mugihe ca Sawuli umwami wa Isirayeli, umuhungu yitwa Dawidi yafasha bakuru we indwi kuragira umukuku wa se. N’aho yari akiri muto, Dawidi yari umuhungu w’inkomezi kandi mwiza, yakunda Imana. Yaba mugisagara c’i Betelehemu.





Umusi umwe, intambwe yatera umukuku kugira ngo itware umwagazi. Dawidi agatera iyo ntambwe iteye ibitungwa. Ayatse umwagazi, yayifata umusaya akayica. Dawidi yamenya ko Imana yamufashije.

3




Samweli, umuvugishwa n'Imana yari ababajwe n'uko Sawuli atumviye Imana. Imana ibaza Samweli iti: "Uzogeza ryari kuririra Sawuli?" Ndakurungika kwa Isayi, kuko nabonye mubahungu biwe uwo nipfuza ko aba umwami. Isayi yari se wa Dawidi.

4



N'aho yari azi ko umwami sawuli yari gushobora kumwica kuko yarondeye uwundi mwami, umuvugishwa w'Imana yumvira Imana.

5




Samweli ashitse, Isayi acisha imbere ya samweli abahungu biwe indwi bose. Samweli abarira Isayi ati: "Uhoraho uyu siwe yatoranije." Hari hasigaye Dawidi, yari kuragira intama. Baramuzana, Uhoraho aca abarira samweli ati: "Haguruka, umusige amavuta, kuko ni uwo!"

6




Mukirimba kwa Sawuli, impwemu y'Uhoraho iva kuri sawuli, aca aba umuntu arakara cane. Abakozi biwe biyumvira ko umuziki mwiza ushobora kumufasha kumererwa neza. Umwe muri bo yari azi umuntu w'umusore yavuza inanga. Uwo musore yoba yari nde? Ego, ni Dawidi.

7




Umuziki wa Dawidi wahumuza sawuli, kandi wamufasha kwiyumvira. Sawuli asaba Isayi kumuha Dawidi ngo akorere umwami. Igihe cose iyo sawuli afashwe n'indwara yo kwihebura canke y'ubwoba, dawidi yaca amucurarangira inanga kugira amuhoze.

8



Dawidi amaze gusubira iwe, sawuli aja muntambara n’abafilisitiya. Bakuru ba dawidi bari mungabo za sawuli. Isayi atuma dawidi ngo ashire imfungurwa bakuru we kandi kugira ngo amenye amakuru yabo.
9
Umuntu w’IKIGATANYA w’umufilisitiya, Goliyati, yari yateye ubwoba abasoda b’ab’isirayeli bose.
10
Goliyati arasemerera ati: “Mutoranye umuntu aze amanuke aze turwane! Niyankubita kandi akanyica, tuzobabera abaja; ariko ninamwica, muzodukorera.” Babonye kandi bumvise ico kigatanya, sawuli n’ab’isirayeli bose baratinya kandi bafatwa n’ubwoba bwishi.
11
Maze dawidi abarira sawuli ati: “Ntihagire uwucika intege kubw’uwo mufilisitiya! Umusavyi wawe azogenda arwane nawe.” Sawuli yashaka ko Dawidi yambara imyambaro y’intambara kandi atware n’inkota. Ariko dawidi ahitamwo gutwara ico ateresha amabuye hamwe n’amabuye atanu m’umufuko.
12
Goliyati aramusuzugura abonye ko uwo musore Dawidi atan’ibirwanisho afise. Amubwira amukankamira ati: “Inyama zawe ndaziha ibisiga n’ibikoko vyo mw’ishamba.” Dawidi nawe aramwishura ati: “Nje kukurwanya mw’izina ry’Uhoraho nyene ingabo.” “Uyu musi Uhoraho akugabuye mumaboko yanje. Kuko intsinzi ni iy’Uhoraho.”
13
Maze Dawidi yiruka kuri Goliyati. Ariko amwirukako, amutera ibuye akoreshe ico bateresha ibuye-agema m’uruhanga rwa Goliyati. Nawe arwa hasi!
14


Dawidi asokora n'ingoga inkota yari mubirwanisho vya Goliyati, amuca umutwe. Abafilisitiya, babonye intwari yabo ipfuye, baca barahunga.



15

Umwami sawuli ntiyibuka ko uwo Dawidi ariwe yahora amuhoza amucurarangiye inanga. Aha dawidi ingabo ziwe-ariko agira ishari igihe yumva abantu baririmba intsinzi za Dawidi. Sawuli yiyumvira ati: "Ntakindi asigaje atari ubwami!" Aca araba dawidi ijisho ribi guhera uwo musi no mumisi yakurikiye.






16

Ubundi busha, impwemu ya sawuli isubira gusugurirwa. Dawidi amuvugiriza inanga kugira ngo amuhoze. Incuro zitatu sawuli atera icumu Dawidi, ariko Dawidi akarusimba imisi yose arimuteye.



Sawuli yaratinya Dawidi, kuko yari azi ko mpwemu w'Uhoraho ari kuri we, ariko ko yari yavuye kuri Sawuli.



17

Ariko Yonatani, umuhungu wa Sawuli, yarakunda dawidi nk'umuvukanyi wiwe. Abimenyesha Dawidi ati: "Data Sawuli agomba kukwica." Maze Dawidi aca arahunga. Umugore wiwe Mikali ashira mugitanda urushato rw'impene ruzingiriye kukintu, aca yururutsa dawidi amucishije mw'idirisha mw'ijoro hagati. Sawuli aje, yasanze dawidi yagiye.



18

Dawidi vyabaye ngombwa ko ahungira kure ya sawuli. Imbere yaho, dawidi na yonatani basezeranye isezerano. Bemeranya ko bazofashanya. Abo bagenzi babiri baca barasezerana bababaye cane. Dawidi yategerezwa kuronka ahantu ashobora kuba adatinya ko ingabo za sawuli zizoshobora kumubona.



19

Dawidi Umwungere Mutoyi

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

1 Samweli 16-20

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

20

# Iherezo

19 60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16